REPUBLIQUE DU BURUNDI

PRESIDENCE DE LA REPUBLIQUE
Secrétariat Général de l'Etat

# ITANGAZO N° 8 RY'INAMA Y'ABASHIKIRANGANJI YO KU WA GATANU IGENEKEREZO RYA 13 MUNYONYO 2020

Inama y'Abashikiranganji yarakoranye kuri uyu wa gatanu igenekerezo rya 13 Munyonyo 2020, i Gitega, irongowe na Nyenicubahiro Umukuru w'Igihugu, Jenerari Majoro Varisito NDAYISHIMIYE.

Hihwejwe ibi bikurikira:

1. **Indinganizo yerekana ingene Umugambi wo guteza imbere amahinguriro mu Burundi uzoja mu ngiro,** yashikirijwe n'Umushikiranganjii w'ubudandaji, gutwara abantu n'ibintu, amahinguriro n'ingenzi.

Mu mwaka w'2018, Uburundi bwarashizeho Umugambi wagutse w'igihugu w'iterambere. Uwo mugambi werekana aho Uburundi buzoba bugeze mu 2027.

Uwo mugambi niwo wisungwa mugutunganya ibijanye n'ubutunzi bw'igihugu. Ushingiye ku nkingi zizotuma haba impinduka mw'itunganya ry'ibijanye n'ubutunzi bw'igihugu, mu kwinjira mu bikorwa bishasha bituma ubutunzi butera imbere. Iyo mpinduka mu bijanye n'ubutunzi izoca mu mugambi w'igihugu wo guteza imbere amahinguriro wemejwe muri Mukakaro 2019.

Igisata c'amahinguriro kirahambaye cane mw'iterambere ry'igihugu kuko kizana intererano nini mu butunzi bw'igihugu.

Hari hageze rero ko Uburundi bushiraho uwo mugambi ugira ico uhinduye mu bijanye n'ubutunzi bw'igihugu.

Iyi ndinganizo y'ingene Umugambi wo guteza imbere amahinguriro mu Burundi uzoja mu ngiro iri kumwe n'urukwirikirane rw'ibikorwa bizorangurwa yateguwe kugirango igisata c'amahinguriro gitere iyindi ntambwe.

Yerekana ibizorangurwa kugiranngo haboneke inyishu ku ntambamyi zashizwe ahabona n' Umugambi wagutse w'igihugu w'iterambere mu bijanye n'amahinguriro.

Intumbero nyamukuru y'iyi ndinganizo ni ukuronsa Reta n'abo bafashanya, igikoresho gituma umugambi wo guteza imbere amahinguriro uja mu ngiro, kugirango mu mwaka w'2027, igisata c'amahinguriro mu Burundi kizobe gikomeye, gihiganwa n'ivyo mu bindi bihugu.

Ivyo bizoshoboka hashizwe mu ngiro ibikorwa vyisunga intumbero indwi zikurikira :

1. Guteza imbere inyubakwa zishigikira igisata c'amahinguriro
2. Gushinga amahinguriro mu gisata c'uburimyi
3. Gushinga amahinguriro mu gisata c'ubutare
4. Guhingura ibivuye mu burimyi
5. Kugwiza inganda zinyuranye
6. Guteza imbere igisata c'amahoteri n'ingenzi
7. Gushiraho amategeko n'inzego bikenewe muguteza imbere igisata c'amahinguriro

Iyi ndinganizo irerekana ivyorangurwa imbere y'ibindi hisunzwe ibisanzwe bishobora kuboneka aha mu gihugu.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyi ndinganizo y'ingene Umugambi wo guteza imbere amahinguriro mu Burundi uzoja mu ngiro ikanayunganira**,** yarayemeje.

2. **Integuro y'itegeko rigenga ubwibutsamana n'abibutsamana mu gisirikare c'Uburundi,** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Ibwirizwa n°1/04 ryo ku wa 20 Ruhuhuma 2017 rishinga rikongera rigatunganya igisirikare c'Uburundi rishira igisata c'ubwibutsamana mu Biro bikuru vy'igisirikare.

Itegeko n°100/011 ryo ku wa 06 ruhuhuma 2018 ritomora imirimo rikongera rigatunganya ibiro bikuru vy'igisirikare naryo riravuga ingene igisata c'ubwibitsamana cubatse rikongera rigatomora neza ico abibutsamana bajejwe ku rugero rumwe rumwe rw'amabanga bajejwe.

Naho amategeko makuru makuru agenga igisirikare atunganya ivyerekeye ubwibutsamana, igikorwa bajejwe kandi gifise ico cisangije kiratuma

abibutsamana bagira amategeko abagenga adasa n'ayagenga intwazangabo mu Gisirikare .

Kubera ko itegeko n° 100/133 ryo ku wa 13 Rusama 2011 rigenga ubwibutsamana n'abibutsamana mu Gisirikare ritakijanye n'amategeko mashasha agenga Igisirikare mu Burundi, birakenewe ko risubirwamwo kugirango rifatire kubiriho ubu.

Iyi nteguro rero ije kugirango iryo tegeko riroranishwe n'ayagenga igisirikare muri iki gihe.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro ikanayunganira, yarayemeje.

3. **Integuro y'itegeko nshikiranganji ryerekana ingene Igisata c'igihugu kijejwe gutunganya amatongo, uburaro n'inyubakwa (OBUHA), Igisata kijejwe amabarabara mu Burundi (ARB) n' Igisata c'Igisirikare kijejwe kwubaka (RMC) vyokorana**, yashikirijwe n'Umushikiranganji wo kwivuna abansi no kwitaho abahoze ku rugamba.

Iyo nteguro ije gushira mu ngiro itegeko n°100/040 ryo ku wa 03 Ntwarante 2020 ritunganya bushasha Igisata c'Igisirikare kijejwe kwubaka (RMC) .

Mu ngingo yaryo y'indwi, iryo tegeko rivuga ko Igisata c'Igisirikare kijejwe kwubaka (RMC) gifashanya n'ibindi bisata vya Reta bikorera muvyo gutunganya amatongo, uburaro n'inyubakwa ni ukuvuga igisata OBUHA n'igisata kijejwe amabarabara (ARB).

Iyi nteguro ije gutomora ingene ukwo gukorana kw'ivyo bisata kwogenda.

Inama nshikiranganji imaze guhanahana ivyiyumviro kuri iyo nteguro, yasanze idatanga inyishu ku mwitwarariko wa Reta, kuko yo yipfuza ko Igisata c'Igisirikare kijejwe kwubaka coza kirarangura ibikorwa vya Reta nk'ayandi mashirahamwe y'abikorera ivyabo.

Yaciye isaba Ubushikiranganji bwo kwivuna abansi n'ubujejwe inyubakwa kuraba intambamyi zibuza Igisata c'Igisirikare kijejwe kwubaka kurangura ivyo bikorwa vya Reta nk'ayandi mashirahanmwe y'abikorera ivyabo, bwongere bwerekane icokorwa. Ubwo bushikiranganji buzokwongera kandi bwerekane neza ingene ivyo bisata bitatu (OBUHA, RMC, ARB) vyokorana.

Ico gikorwa giheze, iyo nteguro izosubira igarukanwe mu nama nshikiranganji isubire kuyihweza.

4. **Integuro y'itegeko ritunganya umwimbu w'ibiterwa, uw'ibitungwa n'uw'amafi** yashikirijwe n'Umushikiranganji ajejwe ibidukikije, uburimyi n'ubworozi.

Kw'igenekerezo rya 22 gitugutu 2020, inama nshikiranganji yarihweje yongera iremeza urwandiko rwerekeye ingene umwimbu ugenewe isoko wokoreshwa neza .

Urwo rwandiko rwerekana uburyo nyabwo bwokoreshwa kugirango umwimbu ukurikiranwe neza, bitere intege n'abipfuza gushira imitahe mu burimyi, kuko bazoba bafise isoko bashorako ku giciro ciza. Ivyo bizotuma himburwa vyinshi, bishobora guhingurirwa aha mu gihugu canke gushorwa hanze y'igihugu.

Inama nshikiranganji yari yaciye isaba ko ibiri muri urwo rwandiko vyoshirwa mw'itegeko.

Ni muri iyo ntumbero iyi nteguro ishikirijwe.

Irerekana ivyokorwa mu ntumbero yo gukaburira abarimyi kugwiza umwimbu, uruhara rw'Igisata c'igihugu kijewe gutunganya ikigega c'ibifungurwa c'integabizoza (ANAGESSA), be n'ingene uwo mwimbu uzodandazwa.

Inama nshikiranganji imaze guca hirya no hino iyo nteguro yarayemeje, ibanje kuyitosora.

5. **Urwandiko rwerekeye integuro y'ibwirizwa rishinga ingingo zijanye n'icuruzwa ry'ibitoro n'ibiva mu bitoro** rwashikirijwe n'icegera c'umuyobozi mwishikira mu Biro vy'Umushikiranganji wa Mbere.

Mu nama yayo yo ku wa 08 na 09 Munyonyo 2017, Inama nshikiranganji yarihweje yongera iremeza integuro y'ibwirizwa rishinga ingingo zijanye n'icuruzwa ry'ibitoro n'ibiva mu bitoro, ariko isaba ko boraba ko iyo nteguro ibereye kuba ibwirizwa canke itegeko.
Umurwi wagenywe waraciye hirya no hino ico kibazo, uca usanga iyo nteguro ibereye kuba ibwirizwa. Iyo nteguro yaciye irungikwa mu nama nshingamateka.

Kw'igenekerezo rya 18 Nyakanga 2020, Inama nshingamateka yasavye ko Reta yokura iyo nteguro y'ibwirizwa ku rutonde rw'ivyo Inama nshingamateka izihweza, yerekana ko ibiri muri iyo nteguro bidatunganywa n'ibwirizwa, hisunzwe ingingo y'164 y'Ibwirizwa nshingiro.

Uru rwandiko rero rwashikirijwe kugirango Inama nshikiranganji yihweze ibishikirizwa n'Inama nshingamateka.

Imaze kubica hirya no hino, Inama nshikiranganji yasanze ibishikirizwa n'Inama nshingamateka bifise ishingiro, kuko naho ibiri muri iyo nteguro bigengwa n'ibwirizwa hisunzwe ingingo y'164 mu gace kayo ka kane, n'agace k'umunani, ingene umutwe w'iyo nteguro wanditse werekana ko ibirimwo vyogengwa n'itegeko. Birakenewe ko iryo bwirizwa ryosubira rigahinyanyurwa neza.

Inama nshikiranganji yaciye isaba ko iyo nteguro yokurwa ku rutonde rw'ibizihwezwa n'inama nshingamateka, ikazosubira igahinyanyurwa neza.

6. **Urwandiko rusaba ikibanza kugirango ibitaro vy'akarere vy'i Nyanza-Lac vyagurwe,** rwashikirijwe n'Umushikiranganji w'amagara y'abantu no kurwanya Sida.

Kuva mu mwaka w'1992, ibitaro vy'akarere vy'i Nyanza-Lac ryari ivuriro ritoyi, ryahavuye riza rirakura gushika aho riba ibitaro vy'akarere mu mwaka w'2008, ubu bifise ibitanda 121.

Ivyo bitaro vyipfuza kwungura ubushobozi bwo kwakira abantu mu kwongerako ibitanda 100, vyihweje igitigiri c'abarwayi bavyitura.

Ni muri iyo ntumbero ivyo bitaro bifatanije n'abajejwe intwaro, vyategekanije kwagurwa.

Kugirango imigambi ivyo bitaro vyategekanije iranguke, ariko kubera ikibanza bifise ari gito, vyasavye intwaro kuronswa ikibanza gisanzwe kirimwo inzu zitatu cari ic'Umugambi w'iterambere rya Nyanza-Lac wasozereye ibikorwa. Ico kibanza ubu ntakigikorerwamwo kandi gihana urubibe n'ivyo bitaro.

Uru rwandiko rushikirijwe inama nshikiranganji kubera ihindura ry'ico itongo rya Reta ryakora rirekurwa n'inama nshikiranganji, habanje gushikirizwa icegeranyo n'umushikiranganji yegwa n'ico gikorwa gishasha kigiye kuharangurirwa.

Inama nshikiranganji yihweje urwo rwandiko, yarashigikiye iciyumviro c'uko ico kibanza cotangwa kugirango ibitaro vy'i Nyaza-Lac vyagurwe, ariko isaba ko ibijanye na kuronswa ico kibanza vyokurikiza inzira zisanzwe zitegekanijwe n'amategeko.

7. **Urwandiko rwerekana aho rusansuma rw'abakozi ba Reta n'abo mu bindi bisata vya Reta rugeze,** rwashikirijwe n'Umushikiranganji w'abakozi ba Reta n'akazi

Mu ntumbero yo kuronka ibitigiri bitomoye vy'abakozi ba Reta, Ubushikiranganji bujejwe abakozi ba Reta n'akazi bwarasabwe kugira rusansuma rw'abakozi bose bahembwa na Reta.

Mu ntango, urwo rusansuma rwari kuba ku magenekerezo ya 26 na 27 Gitugutu 2020, ariko ikiringo carongerejwe kugera kw'igenekerezo rya 06 Munyonyo 2020 kubera ibisata bimwe bimwe vyagiye birongerwamwo.

Urwo rusansuma rwerekanye abakozi bagera ku bihumbi ijana na mirongo ibiri n'icenda n'amajana abiri na mirongo umunani n'indwi(129 287) ariko hakaba hari abataraharurwa nk'abari mu mabohero, abari mu bitaro n'abari hanze y'igihugu.
Urwo rwandiko rurekana kandi ibitigiri ku bushikiranganji bumwe bumwe, n'intara babamwo.

Uru rwandiko rurerekana ingorane zagiye ziribonekeza, nk'ingeso yo kutakira neza ibintu bihinduka, aha akarorero gatangwa kakaba ari nk'amasendika yagerageje kuburizamwo ico gikorwa.

Mu bizokorwa muri kazoza, urwo rwandiko ruravuga nk'ibijanye no gushiraho ikigo c'iyegeranirizo ry'ivyatororokanijwe na Reta hakoreshejwe ubuhinga nyabwonko (centre national de données), no gukora urwo rusansuma mu mashirahamwe Reta ifisemwo imitahe n'ayabigenga.

Inama nshikiranganji yarashimye ico gikorwa caranguwe, muvyo yasavye uwo mushikiranganji hakaba harimwo gutegura urwandiko rwerekana ingene bazoshira mu ngiro ivyo bategekanya kurangura mu minsi iri imbere mu bijanye n'urwo rusansuma.

## 8. Utuntu n'utundi

- Umushikiranganji ajejwe inyubakwa, ibikoresho vya Reta no kugwiza uburaro yaravuze aho ibikorwa vyo gusanura ibarabara mpuzabihugu Rumonge-Gitaza na Kabingo –Kasulu-Manyovu bigeze.

  Yaravuze ingene ibijanye no gutanga amasoko be n'ibikorwa nyezina biriko biragenda.

Muri rusangi, ibikorwa biriko bigenda neza hafatiwe kubimaze kurangurwa n'ibiriko birategurwa.
Uwo mugambi w'iryo barabara ugizwe n'ibice bitanu be n'ubwoko bw'ibikorwa cumi na bubiri, kandi kimwe kimwe cose gisaba umwanya w'itangwa ry''isoko ryaco.

- Mu gusozera, Nyenicubahiro Umukuru w'igihugu yarashimye ivyavuye mu rugendo aherutsemwo mu gihugu ca Gine Ekwatoriyare be n'urwagizwe n'Umushikiranganji wa Mbere mu gihugu ca Tanzaniya aho yari yitavye iborori vyo kwimika Umukuru w'igihugu aheruka gusubira gutorwa, Nyenicubahiro John Pombe Magufuli.

Gitega, 14 Munyonyo 2020

Umunyamabanga Mukuru wa Reta akaba n'Umuvugizi wayo

Prosper NTAHORWAMIYE